Ikinyamakuru ca Ekleziya Gatolika
Umwaka wa 71
Gisohoka kabiri mu kwezi
Ikiguzi : 500FBu

Email:journalndongozi@gmail.com

Facebook :Journal ndongozi y'uburundi Rusiziramarembe; Twitter: Ndongozi y'Uburundi

# NDONGOZI Y'UBURUNDI

Adresse : Candikirwa, kigasohorerwa muri Ndongozi y'Uburundi.
Avenue de la mission n° 06

B.P 690 Bujumbura. Tél.: 222762. WhatsApp 71532337 N°821 15Myandagaro2024

«Jewe ndi wa mwungere mwiza »
Jn 10, 11a

# Umunsi mukuru w'indagano mu Muryango w'Ababikira b' Umushaha utatyoye wa Bikira Mariya



Kuri uyu wa gatandatu igenekerezo rya 3 Myandagaro 2024, ni ho Umuryango w'Ababikira b'Umushaha Utartyoye wa Bikira Mariya (Bene Mariya), wari uramukanye urubanza rw'imbonekarimwe, aho abigeme 16 batuye Imana indagano za mbere, ababikira 9 bagira Indagano burundu, 5 bakengurukira Imana ku myaka 25 bamaze mw'ibanga, 2 na bo imyaka 50 barigumije.

Soma ku Rup. 3

Abakozi ba Ndongozi
Uwujejwe uruganda:
* A. Noël NTIRANDEKURA
Abamenyeshamakuru:
* A. Noël NTIRANDEKURA
* Mélance NDAYIKEZE
* MSV Marie Goreth NDIKUMANA
Uwujejwe ubuhinga:
* Chanel HARINGANJI
Umunyamabanga:
* MSV Marie Goreth NDIKUMANA
Umunyabigega:
* MSV Nadine HARAGIRIMANA
Uwujejwe imigenderanire:
* J. de Dieu NDIKUMANA

# Ego, ndarengutse ngo nkore ivyo ushaka, wewe Mana



Soma ku Rup. 4

## Ibirimwo

o «Umuntu aragirwa, ntiyigira»....6
o Akaranda k'indwara y'ibihara yateye mu Burundi....7
o Ihwaniro ry'urwaruka rigira 15 muri Ekleziya y'i Burundi....9
o Ikinyamakuru NDONGOZI mu Bushinwa!....12

# Idominika ya mirongo ibiri: *Umwaka B*

## Igisomwa ca mbere: Imigani: 9,1-6

Ivyo dusoma mu gitabu c'Imigani :

(*Muntu utagira ubwitonzi, uraza iwanje*)

Bwitonzi yarubatse ingoro, ayitera inkingi indwi. Araheza abaga ibimasa, agana umuvinyu, ategura ameza. Hanyuma atuma incoreke ziwe, asemerera ku mataba y'igisagara ati: "Muntu utagira ubwitonzi, uraza iwanje". Ibiburabwenge navyo yabibwiye ati: "Nimuze mwihereze imfungurwa zanje, munywe inzoga nabaganiye! Heba ubuzeze bwanyu, mubone gukira; tumbere inzira y'ubwenge!"

## Igisomwa ca kabiri*:* Abanyefezi 5, 15 -20

Ivyo dusoma mw'Ikete Umutumwa Paulo yandikiye Abanyefezi:

(*Nimutegere ico Umukama ashaka*)

Ncuti zanje:
Nimwitegereze ingene mwigenza: ntimwigenze nk'imburabwenge. Ntimugishe uburyo mufise, kuko iminsi turimwo yaduhindutse. Ntimumere nk'abatibaza; tegere riho ico Umukama ashaka. Ntimwishinge kuborerwa, kuko inzoga yandurukamwo ubuhumbu; kundire Mutima Mweranda abuzuremwo. Mu kiyago canyu, muravuga amazaburi, indirimbo n'imvyino, mwivuge amazina mushemeze Umukama n'umushaha wanyu wose. Na ntaryo no muri vyose, murame mukengurukira Imana Data kw'izina ry'Umukama wacu Yezu Kristu.

## Inkuru nziza *: Yohani : 6, 51 -58*

**Alleluya! Alleluya!**

Umukama yavuze ati: "Uwurya umubiri wanje, akanywa n'amaraso yanje, aba muri jewe nanje nkaba muri we."

**Alleluya!**

Ivyo dusoma mu Nkuru Nziza ya Yezu Kristu nk'uko yashikirijwe na Yohani:

(*Umubiri wanje ni imfungurwa y'ukuri, amaraso yanje ni inyobwa y'ukuri.*)

Muri irya minsi, Yezu yabariya abayahudi ati: «Jewe ndi wa mukate mubuzima wamanutse uva mw'ijuru; uwuriye uyo mukate azokwamaho imyaka yose. Vyongeye, umukate nzotanga ni umubiri wanje uzanira isi ubuzima.»

Abayahudi baja mu guharira, bavuga bati: "Uwo ashobora ate kuduha umubiri wiwe ngo tuwufungure?" Yezu arababwira ati: " N'ukuri n'ukuri ndabibabwiye: mudafunguye umubiri w'Umwana w'umuntu, ntimunywe n'amaraso yiwe, nta buzima muzogira. Uwufungura umubiri wanje, akanywa n'amaraso yanje, arafise ubuzima budahera. Nanje rero nzomuzura ku munsi w'imperuka. Na none umubiri wanje ni imfungurwa y'ukuri, amaraso yanje ni inyobwa y'ukuri. Uwufungura umubiri wanje, akanywa n'amaraso yanje, aba muri jewe nanje nkaba muri we. Nkuko Data nyen'ubuzima yantumye ariwe ambeshaho, niko n'uwumfunguye ndamuha ubuzima. uyo rero niwo mukate wamanutse uva mw'ijuru: ntumeze nk'umwe basokuru banyu bafunguye, hanyuma bagapfa; uwuzofungura uyo mukate azoramba mu myaka yose."
Ivyo yabivuze yigishiriza mw'isinagoga i Kafaranaumi.

# Umunsi mukuru w'indagano mu Muryango w'Ababikira b' Umushaha utatyoye wa Bikira Mariya

*(Bitangurira ku rup.1*

Urwo rubanza rwabereye muri Paruwase Busiga, Diyoseze Ngozi. Rwatanguriye ku Nkuka ya Misa yari irongowe na Nyenicubahiro Musenyeri Georges BIZIMANA, Umwungere wa Diyoseze ya NGOZI ari na we ahagarariye Papa muri Diyoseze ya Bubanza.

Yari ahagatiwe na Nyen'icubahiro Musenyeri Gervais BANSIMIYUBUSA, Umwungere wa Diyoseze Nkuru ya Bujumbura, na Nyen'Icubahiro Blaise NZEYIMANA, Umwungere wa Diyoseze RUYIGI, ari na we akurikirana imiryango y'abihebeyimana ku rwego rw'Inama y'Abepisikopi, na Nyenicubahiro Musenyeri Stanislas KABURUNGU yahoze arongoye Diyoseze ya NGOZI.

Abasaseredoti batari bake barahishikiye be n'uwaje ava mu gihugu kibanyi ca Tanzaniya ari kumwe n'Abene Mariya baranguriravo ubutumwa.

Abihebeyimana bo mu miryango itandukanye barimwo Umukuru w'Umuryango w'Abigeme ba Mariya na Yozefu (Dames de Marie) bari bitavye ubutumire.

Hari n'abakristu batari bake barimwo imiryango y'abaramukanye urubanza baje bava mu ma diyoseze atandukanye.

**Ibik. urup.3**

# Umunsi mukuru w'indagano mu Muryango w'Ababikira b' Umushaha utatyoye wa Bikira Mariya

Kw'isaha zitatu n'igice urugendo ruratangura, ruva mu nyubakwa z'abasaserodoti rugana Isengero ya Paruwase yitiriwe Bikira Mariya Mutabazi wa minsi yose. Mu gutangura Inkuka ya Misa, Umwungere wa Diyoseze Ngozi aca aha ikaze abari aho, ahereye ku Bepiskopi.

Inyuma y'Inkuru Nziza, Icegera c'Umwepisikopi wa Diyoseze NGOZI arahamagara abaramukanye urubanza, ari bo b'aba :

**Indagano za mbere bari abanovisi 16 :**

Novice Marie Joselyne Banyiyezako ( Buraniro/ Ngozi) ; Novice Félicité Miburo ( Jene / Ngozi) ; Novice Claudine Kajeneza (Gitwenzi / Ngozi) ; Novice Evelyne Izobiriza ( Bugwana / Muyinga) ; Novice Francine Hatungimana ( Karusi / Gitega) ; Novice Evelyne Habonimana ( Kibago/ Bururi) ; Novice Alice Nisubire ( Butwe / Bururi) ; Novice Jeannette Nizigiyimana (Ryarusera / Bujumbura) ; Novice Honorate Nahishakiye (Mubuga / Gitega) ; Novice Christiane Denise Niyonzima (Budartyora / Gitega) ; Novice Edith Niyonkuru ( Rugari / Muyinga) ; Novice Viola Niyonizigiye ( Gitwenzi / Ngozi) ; Novice Violette Hakizimana (Musongati/ Rutana) ; Novice Violette Niyimbona (Gatara / Ngozi) ; Novice Evelyne Nduwimana (Buziracanda / Bujumbura) ; Novice Amélie Niyibimpa (Mubuga / Ngozi).

**Indagano Burundu bari 9 :**

Mama Joselyne Ndayishimiye ( Gatara / Ngozi) ; Mama Néphodore Ndayisenga (Buziracanda / Bujumbura) ; Mama Félicité NAahimana (Muyaga / Ruyigi); Mama Jeanine Butoyi (Gicumbi / Ngozi) ; Mama Gaudiose Habonima (Bugwana / Muyinga) ; Mama Annonciate Nyomukiza ( Butezi / Ruyigi) ; Mama Marie Rose Niyokindi (Muyaga / Ruyigi) ; Mama Médiatrice Ndagijimana (Butwe / Bururi) ; Mama Béatrice Ndereyimana (Ryakamba / Ngozi).

**Abahimbaza Yubire y'imyaka 25 bari 5 :**

Mama Marie Assumpta Ndiragabanya(Ruganza/ Ngozi) ; Mama Astrida Nzinahora (Nyabiraba / Gitega) ; Mama Eusébie Ndayiragije (Mugera/ Gitega) ; Mama Adélaïde Habonimana (Nyabiraba/ Gitega) ; Mama Alvère Hakizimana (Kibago / Bururi).

**Abahimbaza yubire y'imyaka 50 bari 2 :**

Mama Thérèse Habonimana (Bururi / Bururi) na Mama Joséhine Ngendakumana (Gitongo / Gitega).

Mu nsiguro y'uyo munsi Musenyeri Georges Bizimana yatanguye ati : « Turi n'akanyamuneza ko guhereza Imana abanovisi 16 bagira indagano za mbere, 9 bitura Imana mu ndagano burundu, 5 bakengurukira Imana ku myaka 25 bamaze mw'ibanga na 2 bagira Yubire y'imyaka 50.»

Abandanya avuga ko iyo umwana w'umuntu yihaye ingendo yo guhebera Imana ubuzima bwiwe bwose, aba yatahuye ko ari yo nzira imurutira izindi zose, imuha ubuhirwe nyabwo…

Yarashimikiye ku muhanuzi Amosi yagiye kuburira abo mu ntara ya ruguru y'Israyeri ibihano vyimirije batisubiyeko. Umwungere avuga ko inyifato zibiri zibonekeza iyo umuhanuzi avuze ibihano bigiye kuza.

Hariho abumva iryo jambo rikabatoneka bakamutoteza. Aba kabiri na bo bararyumva bakigaya, bagahinduka, nk'ab'i Niniva.

Mu gihe c'ubu, abantu bakunda kwumviriza abahanuzi b'ibinyoma babaryosharyosha, bakanka kwumva ukuri, bagafata ingingo zita igihugu mu manga.

None rero, ikibohora umuntu kandi kikamuha iteka ni ukuvugisha ukuri no kuba mu kuri. Yerekeye ku b'indagano agira ati : « Muracikwije ubuto n'itoto, nimushingire intahe ukuri n'ubutungane bishingiye mu rukundo… »

Afatiye ku Nkuru nziza aho Yezu yarungika abigishwa biwe babiribabiri, ati ni ko n'abagiye ku butumwa bogira urunani nk'abagiye ku rugamba,.

Yabasavye kutiremereza vyinshi vyohava bibabuza gukora ivyo bategerezwa, imyitwarariko yose bayihebere uwabitoreye. Birinde kuvangatiranya, bikwize akanyamuneza keranda kandi bagasasagaze aho bazoja hose.

Ikizobafasha ni ugusoma Ijambo ry'Imana, guhabwa amasakramentu n'igisabisho. Ati namwe bakristu mwokwitwararika mukabungabunga abatoranye ibanga rihimbaye ry'Ukwihebera Imana.

Agirako abakeza Abene Mariya abipfurza gusasagara mu Burundi, Tanzaniya, Ubufaransa, Tchad, Niger, Ubutaliyano, Espagne, Ubudagi, n'iyo isi igarukira. Yarakezje n'abavyeyi babibarutse, ngo biyumve, basagwe n'akanyamuneza kuzuye, ko babaye ibiganza vyiza Imana yaciyeko ngo iramurire Ekleziya.

Ahereza iyo nyigisho mu gutumirira urwaruka kwihweza, kwumviriza rya jwi ribahamagara mu mutima, barishishoze, hanyuma baryitabe.

Asozera ashimagiza Imana Yo yikorera ivyiza mu bayo.

Inyuma y'iyo nyigisho, abanovisi baciye begera Umwepiskopi barashikiriza Indagano za mbere, baca baduga kuri Altari kuzisinyira mu gitabu c'abanyamuryango.

*Ibik. urup.5*

# Ego, ndarengutse ngo nkore ivyo ushaka, wewe Mana



Ku wa 3 Myandagaro 2024, muri Diyoseze nkuru ya Gitega, Umuryango w'Incoreke za Bikira Mariya wari uramutse ushikanira Imana bamwe mu bawo, bahereza Imana indagano za mbere, iz'imyaka yose n'abakenguruka imyaka 25 iheze bahereje Imana ubuzima bwabo.

Inkuka y'imisa yaherejwe na Nyenicubahiro Musenyeri Bonaventure Nahimana Umwungere wa Diyoseze Nkuru ya Gitega, mw 'isengero nkuru yitiriwe Kristu Mwami ku Mushasha.

Mu nsiguro y'Ijambo ry'Imana, Umwungere yashimikiye kw'ijambo ry'Imana bazirikanye dusanga kwa : ( Izayi 7, 10-14 ;8,10) ; ( Abaheburayo 10,4-10) ; ( Luka 1,26-38). Ukwishura ego kwabagira indagano, ihura ni ya Bikira Mariya avuga ati : « Jewe ndi Umusavyi w'Umukama ».( Luka 1,38) Ihura kandi ni ya Yezu aho yishura ati : « Ndarengutse ngo nkore ivyo ushaka, wewe Mana».(Abahebreyi 10,7)

Imana yaraciye k'Umumalayika ngo ashikirize Bikira Mariya umugambi yarimufiseko wo kuzoba nyina w'Imana. Bikira Mariya nawe aremera adahigima ko ishaka ryiwe riyongera mw'ishaka ry'Imana ngo muri we ishaka ryayo riranguke. Uko niko kugamburuka nyakuri, niko kugamburuka gutegerejwe kuranga Incoreke za Bikira Mariya.

Ati : « Namwe Ncoreke za Bikira Mariya ukwiyegurira Bikira Mariya bibabere iminsi yose inzira yo kunywana na Yezu Kristu. Mariya niwe nzira idushikana kwa Yezu. Ubuzima bwanyu ni buse n'ubwa Yezu Kristu, murinde rero ibibagora vyose, musangire ububabare nawe ngo mushushe nawe mu rupfu n'izuka vyiwe.

Kugira bishoboke, ni muhange amaso Bikira Mariya yifatanije n'Umwana wiwe gushika munsi y'umusalaba, bakamusogota inkota mu rubavu avyihweza. Ukugendana na Yezu ni ukwemera kwikorera umusalaba muri iyi si y'ubu yuzuye ubuhakanyi n'ububisha bwose.

Ntimutinye ko babahazanirako, ntimutinye kwegera Yezu Kristu muri benewanyu bikoreye umusalaba nka Yezu Kristu kubera ubukene butagira izina n'amagorwa ava k'ububisha bw'abantu. Ntimutinye guhanagura mu maso habenewanyu hayoberanijwe n'intambara n'ububisha bw'ubwoko bwose.

Mu guhereza Imana indagano zanyu nk'abihebeyimana batagira ikimenyetso kiboneka kibaranga, mwemere kwivako mu buzima bwose, mwegukire Imana mu rukundo rwuzuye kandi rwigishika iminsi yose na hose. Yezu ababere umugenzi mpfapfe abarutira vyose na bose. Muri we mushobore kwakira abantu bose mudatoranya, mubakunde urwo Yezu yabakunze. Yezu nawe azoheza abakunde urukundo rwigishika.

Mwemere kwigana Yezu Kristu yigize umworo ngo adutungishe ivyiza vyiwe. Mwemere kwimatura ku vy'isi ngo ntibibatware umutima n'ubwenge kandi mwemere gusabikanya hagatu yanyu ivyo mufise n'umutima ushima ubworo. Mwemere kwigana Yezu Kristu yagamburutse gushika gupfa.

Mumwigireko ubugamburutsi nyakuri, mudatinya kubamba kamere yanyu ngo mugamburuke ubutumwa bwose muzoshingwa mubigirana umutima wifata ruto, mubigirana urukundo atakindi murondera atari ininahazwa ry'Imana n'urukiza rwa benewenyu.

Ivyo vyose mukazobikora mwisunga amasabo nyakuri ya Bikira Mariya ngo ubwami bw'Imana busasagare buciye kuri Bikira Mariya ngo mubere bose umuco n'umunyu w'isi batabarabiye ku mwambaro canke ku bwihevyi, ariko babarabiye kubikorwa vyiza muzoba muriko murakora, mu kuba intahinyuka n'aberanda, musayangana ubutore mukura kuri Yezu Kristu».

Tubamenyeshe ko abari baramutse bahereza indagano zabo za mbere bari cumi na batandatu, abagira indagano z'imyaka yose bari batandatu hamwe na batandatu bakenguruka imyaka 25 bamaze bihereje Imana.

Inyuma y'Inkuka y'Imisa urubanza rwabandanirije mu kigo« Centre Magnificat » c'uwo muryango.

***MSV M. Goreth Ndikumana***

Philbert MIBURO
SICODIN

# Umunsi mukuru w'indagano mu Muryango w'Ababikira b' Umushaha utatyoye wa Bikira Mariya

(Bitangurira ku rup.3

Umwungere aca abashikiriza umwitwikiro ubamenyesha ko umugenzi wabo ari Kristu. Yongera abashikiriza igitabo c'Amateka y'Umuryango.

Bariko barambara imyitwikiro, abaririmvyi bateye ururirimbo ruhayagiza Umuvunyi w'Umuryango « Mariya uri Intore y'Umushaha utartyoye … »

Aba burundu bahejeje gushikiriza indagano, barambitswe impeta imenyesha ubucuti bafitaniye na Yezu Kristu, Umwungere yongera abashikiriza umusaraba umenyesha ubumwe bafitaniye na Kristu Mucunguzi. Umwe wese agaca aja kw'Altari gutera igikumu ku vyo ahejeje kuragana.

Aba Yubire y'imyaka 25 na 50 na bo bavuze igisabisho co gukenguruka, Umwepiskopi aca abaronsa Bibliya Nyeranda ngo Ijambo ry'Imana rishinge imizi mu buzima bwabo. Inkuka ya Misa yaciye ibandanya.

Inyuma y'iyo nkuka y'imisa, urubanza rwabandanirije mu nyubakwa za Lycée Busiga, ari na ho abashitsi bazimaniwe, hakavugirwa n'amajambo ajanye n'u-rwo rubanza.

Umukuru w'Umuryango wa Bene Mariya mu gushikiriza ijambo yakengurukiye Imana yakoreye ivyiza Umuryango, ari na Yo yadukoranije.

Yerekeje ijambo kuri bene urubanza, ahereye ku bagize Yubire y'imyaka 50, yarabakeje avuga ko n'aho inguvu zitera zigabanuka, ibanga bararibangiye ingata, barashishikara ubutumwa mu rweze haba i Burundi canke muri Tanzaniya. Abandanya abipfuriza kugumya ubunyanyi bafitaniye na Kristu gushika ku munsi wa nyuma.

Ab'imyaka 25, Umukuru w'Umuryango wa Bene Mariya avuga ko bakibangutse mu butumwa mu Burundi no mu bindi bihugu barimwo, kandi barashingira intahe Kristu mu kuba ibimenyetso vyUbwami bwiwe. Abipfuriza gutera imbere nk'umuzinga, bikwije ubukomezi bwa Mutima Mweranda bame bakorera Imana batayibangikanije.

Yerekeje ku bagize Indagano Burundu, Umukuru w'Umuryango wa Bene Mariya avuga ko bamaze imyaka 9 bagize indagano za mbere, bihweza, binovora urukundo rwa Kristu, bari mu mutamana w'Umuvyeyi Bikira Mariya. Barafasha abandi bavukanyi ikivi co gukomeza umutima rukristu mu ngo mu butumwa barimwo mu Burundi, Tchad, Niger, n'aho ingorane zitabura. Ico nticababujije kwegurira Imana ubuzima bwabo. Abipfurije gutera imbere mw'ibanga.

Umukuru w'Umuryango wa Bene Mariya ntiyibagiye gukeza abagize indagano za mbere. Aributsa ko bafashe umwanya wo gusenga no kuzirikana, none ko Ekleziya yabarekuriye kwinjira mw'ibanga ryo kwihebera Imana.

Abahanura gukomeza umutima w'igisabisho, ushima ubworo n'ubugamburutsi mu butumwa, barangwe n'urukundo rudacagura bigana Yezu. Akeburira bose kubabera akarorero keza cane cane Bene Mariya.

Abavyeyi na bo abashimira ko bemeye ko Imana yitorera mu bana yabahaye, abaja kuyishingira intahe no gushikiriza Inkuru Nziza bahereye mu ngo no mu miryango.

Umubikira yaserukiye bene umusi mukuru yarerekanye akanyamuneza bafise afatiye kw'izaburi ya 85,7 : « Ivyo Umukama yatugiriye ni agatangaza, natwe turi mu kanayamuneza» Avuga ko baje kugaserura uko ari imigwi ine itandukanye. Akengurukira Imana yabatoye ikabagenera kuba ivyabona vy'urukundo n'ikigongwe, ibicishije mu Muryango wa Bene Mariya.

Akengurukira Umuryango w'Ekleziya wabakiriye ukabavukanisha na Yezu Kristu mw'Ibatisimu, ari yo yabugururiye ivyiza vyinshi be n'ivyo bagabanye uyo munsi. Arongera agakengurukira abavyeyi babibarutse, bakashira mu mashure, bafashijwe n'abarezi, incuti n'abagenzi, bakabaha indero runtu na rukristu vyabafashije gutohoza itorwa, batababereye intambamyi mu kwitaba ijwi ry'Umukama.

Nyen'icubahiro Musenyeri Georges BIZIMANA, arakengurukira abatanguye imbere yiwe mu kurongora Diyoseze ya Ngozi bazanye Umurya-ngo wa Bene Mariya, bakawushigikira none ukaba uriko urakora ivyiza muri Diyoseze ya Ngozi no mu yandi madiyoseze y'Uburundi.

Ati: « Kubona Umuryango uronka abagira indagano 16 ni igitangaza, hariho n'iyindi miryango iriko irugara » . Yateye intege abagize indagano abakeza ngo bakomere, ntihagire ikibatesha umurongo canke ngo kibace inkokora. Yagarutse ku kibazo ab'indagano za mbere bamubajije mu kiganiro bagiriraniye (Examen Canonique) : igituma babagirisha indagano z'umwaka umwe kandi bo baje baziyeko. Yavuze ko vyamuhimbaye ko bamaze gufafata ingingo yo guhebera Imana ubuzima bwose.

Yasozereye akenguruka ingene bakiriwe bakazimanwa neza, ko aho bakuye Imana yohasubiza imigisha n'imihezagiro. Araheza arahezagira igihugu c'Imana cari aho.

**Mama Gemma NDINZIMINSI**
**Mama Générose NIBOGORA**
**Mama Emeline KAMIKAZI**

# «Umuntu aragirwa, ntiyigira»

*« Jambo wa Data we nyene musa niwe yashoboye kwigira umuntu. Abandi twese kugira tube abantu, turabigirwa. Ntawigira, umuntu agirwa n'uwundi ».*

Ayo niyo majambo yuguruye

Ikoraniro kaminuza ku rwego rw'igihugu rigira 3 ry'umuryango katolika w'abanaguwe muri Mutima Mweranda ryabaye kuva kuwa 29 Mukakaro gushika kuwa 4 Myandagaro mu kigo ca Foyer de Charité i Bujumbura, risozerwa no gutora umusuku mushasha ku rwego rw'igihugu w'uyo muryango nyene.

Inkuka ya misa yo kwugurura iryo koraniro yaherejwe n'Umwungere Mukuru wa Diyoseze Nkuru ya Bujumbura Musenyeri Gerevazi Banshimiyubusa, ari kumwe n'icariho gikuru c'Umwungere Musenyeri Anatole Ruberinyange, bakikujwe n'abasaserdoti benshi barwiriyemwo abibutsamana b'uwo muryango mu madiyoseze atandukanye.

Hari kandi isinzi ry'abakristu baje muri iryo hwaniro hamwe n'abandi baje kwifadikanya nabo muri iyo nkuka ya misa barwiriyemwo abanaguwe muri Mutima Mweranda.

Mw'ijambo ry'intangamarara ryo kwakira Umwungere, Patiri Amando Kana umwibutsamana ku rwego rw'igihugu w'Umuryango katorika w'abanaguwe muri Mutima Mweranda yamenyesheje icese icivugo c'iryo koraniro: «Tugire umuntu, tumwishushanyeko, ase natwe ». Ati: « Muri iyi misi tuje mw'ikoraniro kaminuza kugira ngo iryo jambo ry'Imana turinonosore mbere turirirangure.

Mukuvuga ngo ingo tugire Umuntu tumwishushanyeko, Imana ntiyashatse kwisangiza ico gikorwa cagatangaza co kugira umuntu, yashatse kugisangiza umuntu kuko ntawigira umuntu atamugizwe n'abandi bantu. Jambo wa Data we nyene musa niwe yashoboye kwigira umuntu. Abandi twese kugira tube abantu, turabigirwa, Ntawigira, U-muntu agirwa n'uwundi. Ntawushobora kuvuka ari umuntu abushitse. »

Uwo musaserdoti yabandanije avuga ko isi ya none ikeneye abantu, ikeneye ko tuba abantu babushitse, ko tugira ubuntu. Abantu nyabana nabo ni abantu bavuga ukuri kandi bakakugendera, abantu bazi kwimenya no kwigerera, abantu bazi gufata ingingo bageze muri nankana kandi bagafata ingingo ihesha iteka Imana.

Nk'uko Patiri Amando Kana abandanya abivuga, ngo iryo hangiro ry'iryo koraniro kaminuza baryiyumviriye mu ntumbero yo gushira mu ngiro ivyo Abungere b'Ekleziya Katolika basavye abanaguwe muri Mutima Mweranda ku wa 27 Myandagaro 2017 i Mugira ; Kuba abakristu babushitse, kuba Umwambiro w'inyindi mirwi n'imihari, n'ukuba abatumwa bashasha bo mu Burundi bwa none. « Nico gituma twashatse guhagurukira ico gikorwa co kugira Umuntu kandi umuntu abushitse. »

Musenyeri Gerevazi Banshimiyubusa ku ruhande rwiwe, yarakeje abanaguwe muri Mutima Mweranda kuri iryo koraniro n'iryo hangiro bihaye ryo kwigishwa kugira ngo babe abantu babushitse. Yishimikije ijambo ry'Imana, yibukije ko « ubwami bw'Imana busasagara mu bantu buke buke, nka kurya kw'akabuto k'isinapi kavyara igiti kinini cane kandi kari gato. Ni co kimwe n'akambiro gakeyi bashira mu ngero zitatu zifu mugabo buke buke kakagira umukate ».

Ati : Ubwami bw'Imana ntibushobora kwizana : agatete ka sinapi kataronse umuntu akabiba ntacovamwo. Ako kambiro gakeya nyene, gakeneye uwugashira mw'ifu. Bisigura ko igikorwa co kumenyesha inkuru nziza ari ica muntu wese. »

Yasavye abari ngaho kwamana Umwizero mu Mana. Ati : Iyo turiko turakora igikorwa c'uko ubwami bw'Imana buza, dukorane umwizero ibisigaye ububasha bw'Imana nibwo buheza bukabirangura. Dukore umwe wese ico abwirizwa gukora, ngo ubwami bw'Imana buze, babantu bashasha bafise ubuntu kandi bafise umutima nk'uw'Imana baboneke kuko umwe wese yakoze ico yategerezwa gukora. Imana Mutima Mweranda ibandanye idushikana ku kuri nk'uko Yezu Kristu yabituraganiye yongere kandi iturose ingoga zo kurangura ukuri iba yatweretse. »

Ukuri niryo hangiro bihaye mu muryango katolika w'abanaguwe muri Mutima Mweranda

Ku musi wo kwugurura ihwaniro, Umwungere Mukuru wa Dioyoseze nkuru ya Bujumbura yasozereye insiguro y'Ijambo ry'Imana asaba Imana Mutima Mweranda ngo ishikane abantu bayo ku kuri nk'uko Kristu yabituraganiye kandi ironse ingoga abantu bayo zo kurangura ukuri kwayo.


Bishimikije inyigisho zatanzwe muri iryo hwaniro kandi bafatiye no kw'ihangiro nyamukuru ry'iryo koraniro ryo kugira umuntu, abitavye ikoraniro basanze Imana ishaka ko ukuri kuba ingendo idasanzwe mu kiringo c'imyaka itatu igiye gukurikira.

Ni co gituma mw'itangazo ryasomwe ryo gusozera ikoraniro, Umuryango katolika w'abanaguwe mu Burundi biyemeje ko bagiye guharanira ukuri, bagushigikire bongere bakurwanire uko bashoboye kwose ngo naho vyoba bibasaba guhamwa kubera ukuri.

*Biracaza*

***Mélance NDAYIKEZE***

# Akaranda k'indwara y'ibihara yateye mu Burundi




Akaranda **«MPOX»** ni indwara y'ibihara ifata abantu n'ibikoko.

***Ibimenyetso bikuru bikuru vyayo ni:***

* Ubushuhe bw'umurengera,
* Kumeneka umutwe,
*Kubabara mu mugongo,
* Gucika intege,
* Kugira amasumbi,
* Kubabara mu mitsi,
* Uruherehere ku mubiri rumenekamwo amazi

Iyo umuntu yasinzikajwe n'ico kiza, ashobora kugira ingorane mu bihimba vy'ihemero, mu maso, mu nda no mu bwonko.

Iyo ndwara irandukira cane kandi irica mu gihe umuntu atavuwe hakiri kare.

**Uburyo iyo ndwara yandukira:**

* Gukoranako n'uwuyigwaye mu buryo ubwari bwo bwose, canke gukora ahantu canke ku bikoresho ( Ivyambarwa, ibisaswa, ibikoresho vyo mu nzu, n'ibindi) vyandujwe n'umuntu canke igikoresho gifise ako karanda;

* Guhemanirako canke gukororeranirako.

**Kwirinda iyi ngwara bisaba:**

* Gukaraba neza n'amazi meza n'isabuni kenshi gashoboka;

* Kwirinda kwegera umuntu yanduye canke afise ibimenyetso vy'iyo ndwara.

* Kunyarukira kwa muganga mu maguru masha, ni ingwara yica mu gihe umuntu atevye kwivuza.

Ivyo vyashikirijwe n'Umushikiranganji wo kubungabunga amagara y'abantu no kugwanya SIDA, kw'igennekerezo rya 22 Mukakaro 2024, inyuma y'uko umugwi w'abahinga ugizwe n'abo mukigokijejwekugwanya indwara z'ibiza (COUSP) hamwe n'abahinga mu gupima indwara z'imigera bo muri INSP bafadikanije n'abo muri OMS bashikirije inyishu z'ibipimo vyakozwe mu kigo INSP, zikerekana ko abantu batatu bose banduye indwara y'akaranda «MPOX», « Monkeypox », mu congereza, canke «variole du singe' mu gifatansa, ko igeze mu Burundi.





*Patiri Noël Ntirandekura*

# Ibimenyetso-mfatiro nyamukuru n'amerekerezo mu myaka ya 2040 na 2060 *(Ibikurikira)*

Ufatiye ku mahangiro 22, ibimenyetso-mfatiro vy'ingaruka n'amerekezo yaraharuwe bafatiye k'uko bizoba vyifashe mu myaka ya 2040 na 2060, k'Uburundi nk'igihugu cifashe n'igihugu giteye imbere muri urwo rutonde nyene.

Ibimenyetso-mfatiro n'amerekezo y'amahangiro bishikirizwa ugereranije n'inkingi zitanu (5) z'imbonakazoza. Ishusho ikurikira, yerekana ibimenyetso-mfatiro n'amerekezo, bitondetse ku nkingi ku nkingi mu myaka ya 2040 na 2060.

**Ibishoboka n'ivyisungwa kugira igihugu gitere imbere**

1. Ibishoboka

Mu ntumbero yo gutera intambwe ijana mw'iterambere, Uburundi buzobwirizwa kuvoma mu bishoboka n'amahirwe busanganywe kugira bushobore gutera intege umugambi uzana impinduka ihagaze ku nyubako no kw'iterambere ry'ubutunzi rirama. Mu bijanye n'ibishoboka, Uburundi bubwirizwa guha agaciro amahirwe bufise ariyo ..

2. Ivyisungwa

Mu ntumbero yo guhindura ibimenyetso-mfatiro vy'ubutunzi ku rwego rw'igihugu, no gushira Uburundi ku nzira y'iterambere, Reta y'Uburundi izofata iya mbere yongere ikoranye abo biraba bose bo mu gisata ca Reta, abikorera utwabo, abari mu mashirahamwe adaharanira ivyicaro vya poritike n'abashigikira mw'iterambere kugira bose bakorere mu ntumbero y'iyi mbonakazoza:

1. Gushiraho integuro nziza zo gutunganya no guhuza ibikorwa ibikorwa vyose mu gihugu ;
2. Ko umwe wese agira ico abazwa ;
3. Gushira imbere imigambi ijanye no guhindura ibintu;
4. Gushira imbere imigambi ihuza reta n'abikorera utwabo (PPP);
5. Gushimangira umugambi wo kwinjira mu miryango yo mu bihugu vy'akarere;
6. Gutunganya neza ku mugararagaro amafaranga y'igihugu;
7. Ukudahungabana mu gisata c'ubutunzi ku rwego rw'igihugu;
8. Ingingo zishingiye ku vyemezo n'ibiharuromfatiro birashe;
9. Ingingo za poritike zibuza umutegetsi gukora ibiteye kubiri n'amabanga ajejwe;
10. Uburinganire bw'amahirwe kuri bose mu bijanye n'iterambere;
11. Gufashanya n'amakungu ufatiye ku vyo igihugu gishira imbere y'ibindi;
12. Kwitwararika ibibazo bihanze isi yose mu gihe co gutunganya imigambi ngenderwako n'uko bizorangurwa.Uburinganire

***Ukungene bizoshirwa mu ngiro n'uko bizosuzumwa***

Ishirwa mu ngiro ry'imbonakazoza y'Uburundi nk'igihugu cifashe mu mwaka w'2040 n'igihugu giteye imbere mu mwaka w'2060 rizokwisunga ukugene integuro y'urutonde y'ibikorwa kw'isi, ku mugabane wa Afrika no mu karere k'uruhande rumwe, hamwe n'ibitabu vy'integuro y'ibikorwa ku rwego rw'igihugu, mu bisata no mu ntara/mu makomine k'urundi ruhande.

Mu yandi majambo, ishirwa mu ngiro ry'imbonakazoza ni ugushira mu ngiro ibishirwa imbere mu mbonakazoza mpuzamakungu mu mwaka wa 2030, imbonakazoza y'Ubumwe bw'Afrika mu mwaka 2063, imbonakazoza ya Afrika y'Ubuseruko mu mwaka wa 2050, umugambi uhinyanyuye ujejwe impinduka mu gihugu (PND uhinyanyuye), imigambi ngenga bisata n'imigambi y'iterambere ry'abenegihugu ku rwego rw'amakomine (PCDC).

Ivyo bitabu vyose ngengabikorwa bitunganijwemwo ukugene ibikorwa n'amafaranga ntegekanyabikorwa akoreshwa buri mwaka (PTBA) ku rwego rw'ubushikiranganji n'ibindi bisata vya Reta, hamwe no ku rwego rw'amakomine , mu ntumbero yo kukoresha amafaranga ajanye n'umugambi utegekanijwe.

Mu gushira mu ngiro imbonakazoza y'Uburundi nk'igihugu cifashe mu mwaka w'2040 n'igihugu giteye imbere mu mwaka w'2060, Uburundi butanguye urugendo rw'impinduka irama y'inyubako y'ubutunzi bizobonekera mw'itunganywa ry'ikibano n'uko abenegihugu babayeho kandi bikarangukira mu nzira ya poritike n'intwaro zitekanye bituma zino mpinduka zirama.

Ivyo navyo bisigura ko ari ukwihweza neza "ingero n'inkingi zituma haba impinduka" mu ntumbero yo gushika ku mbonakazoza.

Kubera ivyo, uburyo bwo gushira mu ngiro imbonakazoza bizoshingira ku rukurikirane rw' "imigambi y'igihugu ijejwe impinduka (imigambi y'igihugu ijejwe iterambere)" ishingiye ubwayo ku bikorwa bishirwa imbere y'ibindi biri mu ntumbero zitatu nkuru nkuru: "Impinyanyuro – ikabura iyindi – itumbereza iyindi".

Ni imigambi ifise intumbero yo kuzana impinduka kandi ishobora gukaburira impinduka zifise inkurikizi ziboneka kandi zirama mu gukomeza no guha agaciro ibishoboka vyose mu gisata c'imibano n'ubutunzi m'Uburundi.

Ugushira mu ngiro iyi mbonakazoza bizokorwa biciye mu migambi y'igihugu ijejwe impinduka mu kiringo ca vuba n'izindi ntumbero zo gushira mu ngiro zisanzweho ku rwego rw'igihugu, mu bisata no mu ntara.

***Biracaza***

***Patiri Noël Ntirandekura***

# Ihwaniro ry'urwaruka rigira 15 muri Ekleziya y'i Burundi

Kuva ku wa 5 gushika ku wa 8 Myandagaro 2024 haritegekanijwe Ihwaniro ry'urwaruka rigira 15 muri Ekleziya y'i Burundi. Iryo hwaniro rikaba ryabereye muri Katedrale ya Diyoseze Ruyigi, ryitabwe n'urwaruka ru-renga 2000, ku civugo nyoborabuzima kivuga kiti: «**Nimunezerwe mu mwizero**» (Abanyaroma 12, 12).

Ku musi wa mbere w'iryo hwaniro, urwaruka rwabanje gusanganira Umusalaba w'urwaruka wari usanzwe uriko ugendera Diyoseze ya Rutana.

Haciye hakwirikira Inkuka y'imisa y'Ukari-stiya yaherejwe na Nyenicubahiro Musenyeri Buraziyo Nzeyimana, Umwungere wa Diyoseze ya Ruyigi ari kumwe n'abandi Bungere bose b'Ekleziya y'-Uburundi.

Amadiyoseze yose yari yaserukiwe n'urwaruka hamwe n'abasaserdoti baruherekeje.

Mu nyigisho Nyenicubahiro Musenyeri Buraziyo Nzeyimana yashikirije yishimikije ijambo Yezu yabwiye Abigishwa biwe: «Ntakibajana, nimubahe mwebwe nyene ivyo bafungura». (Matayo 14, 16).

Mu ntango y'iyo nyigisho yaramenyesheje ishengero ryari aho, ko Imana ariyo yabakoranije ishaka ko bomara imisi baganira n'Imana bongera basangira na benewabo, bakakira imfungurwa y'-ijambo ry'Imana be n'imfungurwa y'umukate w'ubuzima.

Muri iyo nyigisho Umwungere yamenyesheje ko naho twebwe twoba atanaduke dufise nka babigishwa, ntitwokwibagira ko dufise Yezu tuba dufise vyose. Niwe yatuzanye kandi niwe buzima bwacu.

«Tuzomarana iyi misi yose, atumare inzara, aduhe vyose, ivyacu bwite n'ivyo dusangira n'abandi ; azoturonsa: imfungurwa y'ijambo ry'Imana, iy'umukate w'ubuzima, twongere tuharonkere n'ikiganiro c'abavukanyi».

Umwungere yagiriyeko amenyesha icivugo c'iryo hwaniro ati : « Kunezerwa mu mwizero ni inyigisho izoduherekeza muri iyi misi yose twongere dusangire koko ako kanyamuneza kuko turi abavandimwe, dukundane twicisha bugufi, ngo dushobore kwihebéranira no kwakira ivyiza Imana idusangiza iciye kuri abo bavukanyi dusangiye iteka ry'agashusho k'Imana.»

Ni aho rero, yishimikije ijambo rya Paulo mweranda, yabandanije yigisha agira ati: «Nimukundane nk 'abavandimwe, umwe wese arushirizeho guha icubahiro mugenzi we, ntimugire urwangara mu mwitwarariko wanyu, mwamane igishika mu mutima, mukorere Umukama.

Ni munezerwe n'ivyo mwizigiye, nimwigumye mu bibagora, mwizigitirire ku gisabisho. Nimwame muhuza ivyiyumviro ntimuhahamire ibiri hejuru ariko mukunde gukwegakwerwa n'ibiciye bugufi. Duciye bugufi rero tugakundana na bose hamwe n'abo twokwise abansi nyene, tukabakwega ngo dusubize hamwe, ngo dusubire kubana neza na bose, Imana izodukomorera ubuhirwe bwayo.»

Umwungere yabandanije agira ati : « Ijambo ry'Imana ni ryo ridukomeza, (…). Iryo twumvise uyu musi ryatweretse ko Yezu ashaka ko tumenya ko tujejwe gushikiriza ivyiza vy'ijuru, (…). Erega Yezu yari gushobora kubibagaburira we nyene ariko yashimye gutuma abigishwa biwe ngo abe ari bo babibagaburira».

Muri iyo nyigisho Umwungere yatumiriye urwaruka kuza rurumviriza ijwi ry'Imana ribahamagara bakitaba bagira bati : Ndi hano Ntuma,nka kumwe umuhanuzi Izaya yavuga.

Nawe ace ashira uwumwitavye muri wa murwi w'abigishwa azoza arikorako ngo bagaburire abantu. Na yo ivyo kubagaburira niwe abitanga.

Imana izirana n'ubwishime, uwicisha bugufi nawe ntagende arishira hejuru ngo ni uko avugira Imana, arahimbarwa n'uko Umukama amucishako ubutumwa akagirako aburangura. Imana iramukuririza mu kumuha igihagararo c'abakwiranye n'iteka ryayo nyene. Imfungurwa ya kabiri ni wa mukate w'ubuzima : Yezu yashaka kugaburira abari bashonje ariko yari intangamarara yuko ariwe mukate w'ubuzima wavuye mw'ijuru.

Uwuriye uwo mukate azokwamaho imyaka yose, umubiri wiwe ugabira isi ubuzima. Turawihereza mu nkuka ya misa. Kukaba nkako, inkuka ya misa ni igisabisho gikuru, gisumba ibindi bisabisho vyose».

Iyindi mfungurwa tuzokesha iri hwaniro ry'urwaruka, Umwungere yavuzeko ari Ikiganiro c'abavukanyi: kwigishwa n'Abungere tuganire nabo twongere tuganire n'urunganwe.

Umwungere yahamagariye ishengero ryari aho kuzokwiyubara kuryo bazovuga ryose, ribe irivuye ku mutima w'urukundo, kwugurura amatwi y'imitima, gushira ku muzirikanyi iryo twumvise, *«Imana izobagaburira iciye ku bakunzi banyu bazobayagira»*.

Yasozereye asaba Bikira Mariya Umugabekazi w'abakristu kutubera mu ngoro. Inyuma y'inkuka y'imisa, haciye hakurikira kwakira no guha indaro abaje bava mu mihingo itandukanye y'igihugu.

Ico gikorwa naco kikaba caba cagenze neza kuko atanumwe yabuze aho akika umusaya.

Biracaza

***Patiri Léonidas Ntakarutimana***
***Diyoseze Ruyigi***

# Uburenganzira bwo gushinga no kuja mu mashirahamwe

Abarundi barayamaze ngo nyamwigendako ntarimira impeshi kandi ngo tubiri tuvurana ubupfu, ndetse n'iyindi migani tutadondaguye ngaha yerekana ko ari ngira kamaro kuja hamwe n'abandi.

Ishirahamwe ni umurwi w'abantu babiri canke barenga baja hamwe, mu ntumbero yo gushira hamwe ivyiyumviro, ubuhinga n'uburyo, kugira ngo barangure umugambi, batezimbere agaciro k'ikintu canke barwanire uburenganzirabwabo.Nicogituma hariho amashirahamwe y'ubwoko butandukanye bivanye n'ihangiro ryayo. Hariho :

1. Amashirahamwe adaharanira inyungu (ASBL) mu mpfunyapfunyo y'ikinyamazuru,

2. Amashirahamwe yo gusenga bivanye n'ukwemera kw'umwe umwe (confession religieuses) mu kinyamazuru,

3. Amashirahamwe aharanira ivya poritike bita "imigambwe"

4. Amashirahamwe y'abakozi b'ibisata bitandukanye (syndicats) mu kinyamazuru,

5. Amashirahamwe yo kuziganya no kugurana (banques et microfinances) mu kinyamazuru,

6. Amashirahamwe yo gushira imbere agaciro k'ivyaranze umuntu, ibiranga ikintu canke imico (fondations) mu kinyamazuru,

7. Amashirahamwe yo kwunguruza abantu n'ibintu haba mw'ibara, indarayi, mu mazi no mu kirere,

8. Amashirahamwe yo kuvuzanya (mutualités),
9. Amashirahamwe yo gutegekanya kazoza no gutegekaniriza impanuka (companies d'assurances),
10. Amashirahamwe yo kurima no kworora (les cooperatives agricoles et groupemenst cooperatives),

11. Amashirahamwe aharanira inyungu cooperatives,entreprises n' ibindi

12. N'ayandi….

Umuntu arashobora gushinga ishirahamwe canke akaja mw'ishirahamwe risanzwe ryarashinzwe mu gihe ashimye ivyiyumviro, ibikorwa n'imigambi vyaryo, kandi nta gahato kajamwo,arishinga canke arijamwo ku gushaka kwiwe, ariko akurikije uko amategeko n'amabwirizwa yabitegekanije.

Uburenganzira bwo gushinga no kuja mu mashirahamwe, bwerekeye zina kiremwa muntu wese iyo ava akagera, mu gihe iryo shirahamwe ridafise intumbero yo guhungabanya umutekano canke guhungabanya imibereho n'akaranga vy'ababa aho rizorangurira ibikorwa vyaryo.

Mu mategeko mpuzamakungu atandukanye ndetse no mu mategeko y'ibihugu, kimwe kimwe cose mu ndinganizo yaco, turasangamwo ingingo zerekana ingene ubwo burenganzira bwubahirizwa.

Turaza kwerekana ndetse n'ingene amategeko n'amabwirizwa y'Uburundi ategekanya ubwo burenganzira. 1 Ingene ku rwego mpuzamakungu amategeko ategekanya ubwo burenganzira bwo gushinga no kuja mu mashirahamwe

Ubu burenganzira turiko tarabayagira, turabusanga mu mategeko mpuzamakungu atandukanye nko mw'itangazo mpuzamakungu ry'agateka ka zina muntu, mu masezerano mpuzamakungu mu vyerekeye uburenganzira bw'abantu mukwitunganiriza ivyabo no mu vyerekeye intwaro, mu masezerano mpuzamakungu mu vy'amatungo, imibano n'imico kama, mu masezerano ya Afrika y'agateka ka zina muntu n'ak'abenegihugu hamwe n'amasezerano mpuzamakungu yo mu mwaka 1948 yerekeye ubwigenge bwo kuja mu mashirahamwe y'abakozi no gukingira amashirahamwe aharanira ineza y'abakozi.

Gushinga canke kuja mu mashirahamwe, birategekanijwe mu ngingo ya 20 y'itangazo mpuzamakungu ry'agateka ka zina muntu, kuko ivuga ko, umuntu wese ashobora kugira inama hamwe n'abandi, n'ugushinga amashirahamwe, ariko bidahungabanya umutekano. Agace ka kabiri k'iyi ngingo karatomora neza ko ata muntu n'umwe ategekwa kuja mu mashirahamwe ku nguvu, umuntu aja mw'ishirahamwe ku gushaka kwiwe.

Mu masezerano ya Afrika y'agateka ka zina muntu n'ak'abenegihugu, havurwamwo ivyerekeye ukudakumirwa mu kuja mu mashirahamwe, kwisunga amategeko no kudahatirwa kuyajamwo. Nk'uko tubisanga mu ngingo ya 10 yayo, umuntu wese ararekuriwe kwiyunga n'abandi mu mashirahamwe yisunze amategeko n'amabwirizwa. Ibandanya ivuga ko ata muntu n'umwe ashobora gushirwa mw'ishirahamwe ku gahato.

N'ingingo ya 22 iragaruka kuri ubwo burenganzira, kuko iravuga mu gace kayo ka mbere ko umuntu wese afise uburenganzira bwo kwiyungunganya n'abandi mu mashirahamwe kandi mu mwidegemvyo.

Naho izi ngingo tubonye zishimangira uburenganzira bwo gushing no kuja mu mashirahamwe, twomenya ko ata shirahamwe rishobora gukora ritabanje kwemererwa n'inzego zibitegekanirijwe, izi nazo zibanje kugenzura ko ishirahamwe rikwije ibisabwa kandi ko ridashobora kuba intambamyi ku mutekano, imico n'akaranga vy'Igihugu.

2. Ingene amategeko n'amabwirizwa y'Uburundi ategekanya uburenganzira bwo gushinga no kuja mu mashirahamwe .

Aha mu Burundi iwacu hariho amategeko atandukanye yerekana ingene ubwo burenganzira butegerezwa kwubahirizwa. Mbega umuntu ashinga ishirahamwe gute, canke aryinjiramwo gute?

Amashirahamwe ari imice myinshi nk'uko twamaze kuyidondagura, kandi umuce umwe umwe wose ufise amategeko awutegekanya, haba ingene ushingwa,

Ibikur. urup. 11

# Uburenganzira bwo gushinga no kuja mu mashirahamwe

*(Bitangurira ku rup.10)*

ingene ukora, n'ingene umuntu aba u-munywanyi.

Ntituja kubabwira ido n'ido ku muce umwe umwe ingene bigenda, ariko tuja kubibutsa amategeko n'amabwirizwa yisungwa. Ibwirizwa Shingiro ry'Uburundi, ryarategekanije mu ngingo ya 32 ko umwenegihugu wese ategerezwa kwubahirizwa mu burenganzira bwiwe bwo kuja hamwe n'abandi, co kimwe no gushinga amashirahamwe.

N'aho gushinga amashirahamwe no kuyajamwo ari uburenganzira bw'umuntu uwo ari we wese, ayo mashirahamwe ategerezwa gukora yisunze amategeko y'igihugu hamwe n'ayagenga iryo shirahamwe.

1. Duhereye ku mashirahamwe adaharanira inyungu (asbl), Itegeko n°1/02 ryo kuwa 27 nzero 2017 ryerekeye ingene ayo mashirahamwe atunganywa, rirabitomora neza.

Ingingo yaryo ya 4 ivuga ko amashirahamwe yose ategerezwa gushingwa akongera agatunganywa hisunzwe amategeko y'igihugu hamwe n'amategeko agenga ayo mashirahamwe.

Iyo ishirahamwe rikorera muri komine imwe, ryemererwa n'ingingo ya musitanteri bibanje kwemezwa n'inama ya komine nk'uko ingingo y'8 ibitegekanya.

Igihe ishirahamwe rikorera mw'ikomine irenga imwe, ryemererwa gukora ribanje kwiyandikisha mu biro vya buramatari nk'uko ingingo y'9 ibitegekanya.

Igihe ishirahamwe rikorera mu ntara irenga imwe canke ari urunani rw'amashirahamwe, canke ari iry'abanyamahanga, ryemererwa n'itegeko ry'umushikiranganji mu vyo ajejwe harimwo intwaro yo hagati mu gihugu, abanje kugenzura ko ibisabwa n'ingingo ya 21 ibitegekanya bikwiye.

Nayo ukwinjira mw'ishirahamwe, bitegekanijwe n'agace k'7 k'ingingo ya 55. Ako gace kavuga ko ibisabwa uwushaka kuba umunywanyi, biba bitegekanijwe mu mategeko arigenga (statut).

2. Amashirahamwe aharanira inyungu za politique (imigambwe), agengwa n' ibwirizwa nomero 1/16 ryo ku wa 10 nyakanga 2011 ryerekeye ingene imigambwe itunganywa n'ingene ikora. Yemererwa n'itegeko ry'umushikiranganji mu vyo ajejwe harimwo intwaro yo hagati, habanje kugenzurwa ko ibisabwa vyose bikwiye, nk'uko bitegekanijwe mu ngingo ya 47 y'iryo bwirizwa.

Kwinjira muri ayo mashirahamwe, hakurikizwa ibitegekanijwe n'amategeko ntunganyamugambwe na ntunganyabikorwa vyayo.

3. Amashirahamwe yo gusenga bivanye n'ukwemera kw'umuntu (confession religieuses) mu kinyamazuru, ashingwa kandi yinjirwamwo hisunzwe ibiri mu ngingo ya 5 y'i-bwirizwa nomero 1/30 ryo ku wa 16 nyakanga 2022 rigenga itunganywa ry'amadini n'amashengero. Kuyinjiramwo, hisungwa ibisanzwe bitegekanijwe n'amategeko agenga iryo dini canke iryo shengero.

4. Amashirahamwe aharanira inyungu (cooperatives, entreprises), agengwa n'ibwirizwa nomero 1/09 ryo ku wa 30 rusama 2011.Yemererwa na sentare ijejwe ubudandaji mu gihe yabanje kugenzura ko ibisabwa vyose bikwiye, nk'uko bitegekanijwe n'ingingo ya 33 y'iryo bwirizwa.

Nayo kuyinjiramwo hakurikizwa amategeko y'ishiramwe umunywanyi ashaka kwinjiramwo.

5. Amashirahamwe yo gushira imbere agaciro k'ivyaranze umuntu, ibiranga ikintu canke imico (fondations) mu kinyamazuru, agengwa n'ibwirizwa no 1/18 ryo ku wa 12 mukakaro 2019, akemererwa gukora n'ubushikiranganji bw'ubutungane. Nayo nyene kuyinjiramwo hakurikizwa amategeko y'ishiramwe umunywanyi ashaka kwinjiramwo.

6. Amashirahamwe yo kuziganya no kugurana (banques et microfinances) mu kinyamazuru, agengwa n'ibwirizwa nomero 1/17 ryo ku wa 22 myandagaro 2017, rigenga ibikorwa vy'amabanki.Uwukeneye kuba umunywanyi wayo akaba yisunga amategeko y'ishirahamwe.

7. Amashirahamwe y'abakozi b'ibisata bitandukanye (syndicats) agengwa n'ibwirizwa nomero 1/11 ryo ku wa 24 munyonyo 2020, akinjirwamwo n'uwushaka yisunze amategeko y'ishirahamwe.

8. Amashirahamwe yo kuvuzanya (mutualités sociales) agengwa n'ibwirizwa nomero 1/12 ryo ku wa 12 rusama 2020. Yemererwa n'urwego rujejwe gukurikirana amashirahamwe yo kuvuzanya nk'uko bitegekanijwe mu ngingo ya 164. Ibisabwa kugira ishirahamwe ryemererwe, tubisanga mu ngingo y'165.

9. Amashirahamwe yo kurima no kworora (les cooperatives agricoles et groupements cooperatifs) agengwa n'ibwirizwa nomero 1/23 ryo ku wa 30 kigarama 2011. Haba ku rwego rwa komine, rw'intara ndetse no ku rwego rw'igihugu, yemererwa n'umurwi uba washinzwewa bivanye n'urwego, nk'uko tubisanga mu ngingo ya 9, 10 na 11.

Mu gusozera, twomenyesha ko uburenganzira bwo gushing no kuja mu mashirahamwe bufise aho bugarukira, kandi biragaragara mu ngingo zitandukanye twarabiye hamwe.

Ukuyashinga no kuyajamwo bitegerezwa kwisunga amategeko y'Igihugu n'ayagenga ishirahamwe ubwaryo, kandi ibikorwa vyayo bitegerezwa kuba atari ibishobora kuba intambamyi y'umutekano w'Igihugu n'abenegihugu.

***Ikigo ca leta kijejwe guteza imbere agateka ka zina muntu no gukinga ihonyabwoko «CPDHPG »***

# Ikinyamakuru NDONGOZI mu Bushinwa!

Ku va kw'igenekerezo rya 6 gushika kurya 26 Mukakaro 2024, abamenyeshamakuru 4 b'abarundi bari mu rugendo-shure mu gihugu c'Ubushinwa biciye mu bikorwa vyo gushigikirana hagati y'igihugu c'Uburundi n'igihugu c'Ubushinwa.

*Abo bamenyeshamakuru bari aba:*

1. Mélance Ndayikeze wo mu Kinyamakuru Ndongozi y'Uburundi;
2. Renilde Hamenyimana wo ku nsamirizi y'igihugu,
3. Nolis Nduwimana wo ku nsamirizi Indundi Culture
4. Adeline Ngenzebuhoro wo ku mboneshakure y'igihugu.

Umurwi w'abamenyeshamakuru b'abarundi wahuriye mu gihugu c'Ubushinwa n'abandi bamenyeshamakuru bavuye mu bihugu 12 bitandukanye vya Afrika, Amerika yepfo, Aziya na Oseyaniya. Bose hamwe bari 33.

Urwo rugendo-shure rwatunganijwe n'ikigo CNC kijejwe igenzuramakuru mu Burundi mu bushikiranganji muvyo bujejwe harimwo kumenyesha amakuru n'ibimenyeshamakuru.

Urugendo rwafashwe mu mugongo n'ubuserukizi bw'igihugu c'Ubushinwa mu Burundi mu ntumbero yo gukomeza imigenderanire hagati y'igihugu c'Uburundi n'Ubushinwa.



Umurwi w'abamenyeshamakuru b'abarundi mu rugendo-shure mu Bushinwa. Uhereye i bubamfu, ni Adeline N., Mélance N., Rénilde H., na Nolis N.

## Urugendo rwa mbere mu ndege



Mélance Ndayikeze mu ndege

Mu murwi w'abamenyeshamakuru b'abarundi, umwe wenyene muri 4 niwe yari amenyereye ingendo zo mu kirere. Ku muntu agize urugendo rwa mbere mu ndege, vyose ni bishasha: kwicara mu ndege, igihe indege ihagurutse, uko indege yubatse, uburebure bwayo n'ubwaguke bwayo, vyose bibere bishasha uwufashe urugendo irya mbere.

«Ubwo indege ntiyahagaze mu kirere? ko umengo ntiriko iragenda?» Uwo ni umwe mubo twari kumwe avuga nk'uwutangaye kuko indege yariko irahinda gusa ariko itanyiganga na bukebuke, atakimenyetso na kimwe c'uko twicaye mu kintu kiri ku muvuduko w'ibirometero amajana n'amajana kw'isaha.

Ni imvugo icanze akanyamuneza n'ubwoba: Akanyamuneza ko kubona umuntu afashe urugendo muri ivyo vyuma bikoze ku buryo busiga ubwenge; ubwoba bwo kwiyumvira ikirere umuntu ariko ingene ari kirekire cane n'uburemere bw'inkurikizi zohaba hamwe indege yoba igize akagorane gatuma itabandanya urugendo.

Umurwi w'abamenyeshamakuru b'abarundi wagize urugendo mu bumwe ntangere. Kiretse ko twari dufise ikintu kidasanzwe duhuriyeko, igihugu, twari duhuje ururimi n'akaranga n,ukwemera. ivyo vyaradufashije kwitwararikana no kuguma mu bumwe budacika hagati yacu.



Umurwi w'abamenyeshamakuru bose hamwe bari bitavye iyo seminari ngo bigishwe bongere batemberezwe mu bibanza vy'iratiro mu Bushinwa

Mu nimero zizokurikira, tuzobayagira uko twasanze igihugu c'Ubushinwa mw'ido n'ido, ibibanza bikuru bikuru vy'iratiro, amahinguriro makuru makuru twagendeye, iterambere mu nyubako n'ibindi.

Niharambe ugushigikira hagati y'Uburundi n'ibindi bihugu.

**Biracaza**
**Mélance NDAYIKEZE**